# 76: Mbeg' uraz' ibir' imbere yawe

1. Mbeg' uraz' ibir' imbere yawe,
Ah' uzohurira n'urupfu?
Mbega wa mus' uzorora hehe,
Umus' uzocikana?

Ref: Ego ndazi ko har' ubugingo,
Har' aho nateguriwe,
N' amaraso Yes' Umukiza
Yamvirive ku giti.

2. Mbega wahise mu yihe nzira?
Mbeg' uz' ah' izogushikana?
Kukw inzir' itujana mw‘ ijuru
Ica ku musaraba.

Ego nahisemw' inzira nziza...

3. Mbega wabony' Umukiza wawe
Uraharirw' ivyaha mbega?
Mbega Yesu yaribgagukize
Urik' uja mw ijuru?

Ego nabony'Umukiza wanje...

4. Erega ni wahwer' uyu musi
Ntuzob' ugihitamwo na mba:
Iman' igomba yuk’ uyizera,
N' uk' urekur' ivyaha.

Ego narekuy' ivyaha vyanje...

5. Mbega Yesu yakwandits' izina
Mu gitabo c'abakijijwe?

Uzi yuko wa mus’ amagorwa
N'urupfu bizohera?

Ego ndazi yuko yanyanditse...

6. Yesu ni we yankijij' urupfu,
Yampfiriye ku musaraba,
Nzokwama mmwumvira mmwizigira, Kuko nogejw' ivyaha.

7. Ego ndazi ko har' ubugingo
Har' aho nateguriwe,
N' amoroso Yes' Umukiza
Yamviriye ku giti.

Visit us at burundi.indirimbo.com